Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

Email:journalndongozi@gmail.com
Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°797 15 Myandagaro 2023

# «Jewe ndi umusavyi w'Umukama».



Ku wa 5 Myandagaro 2023, umuryango w'Incoreke za Bikira Mariya wari uramukanye urubanza rw'aho bamwe mu bawo bagira indagano z'imyaka yose na Yubile, abarerwa bawo nabo bakaragana indagano za mbere.

Inkuka y'imisa y'urwo rubanza yahererejwe mw'isengero nkuru ya Diyoseze nkuru ya Gitega yitiriwe Kristu mwami.

Soma ku Rup. 5

Abakozi ba Ndongozi
Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA
Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI
Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA
Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Indagano mu muryango w'ababikira b'Umushaha Utatyoye wa Bikira Mariya «Bene Mariya»

Ku musi wa gatandatu itariki 5 Myandangaro 2023, Umuryango w'Ababikira b'Umushaha Utartyoye wa Bikira Mariya "BENE MARIYA" wari uramukanye urubanza rudasanzwe aho bamwe muri bo bashikiriza Imana Indagano z'Ubwihevyi.

Ivyo birori vyabereye muri Paruwase BUSIGA, bihagarikiwe na Nyen'Icubahiro Musenyeri Georges Bizimana, Umwungere wa Diyoseze Ngozi, ari kumwe n'Abepiskopi nka Musenyeri Mukuru Gervais Banshimiyubusa wa Dioyoseze Nkuru ya Bujumbura, Musenyeri Salvator Niciteretse wa Diyoseze ya Bururi, Musenyeri Stanislas Kaburungu, Inararibonye mu Bepiskopi b'Uburundi.

Hari kandi n'Icegera c'Umwepiskopi wa Diyoseze ya UVIRA muri KONGO, Musenyeri Honoré BARHEBWA, yaherekejwe na Patri Prince Ricardo MUKUNINWA, Umusaserdoti yaje ava muri Tanzaniya aherekeje abene Mariya bakorerayo ubutumwa, Umunyamabanga mukuru w'Inama y'Abepiskopi, Patri Christian Nzinahora, Patri Jean Bosco Ntihebuwayo wo mu Muryango w'Abapatri Bera n'abasaserdoti bata-ri bake bo muri Dioseze ya Ngozi, abaje bava mu yandi madiyoseze y'i Burundi, n'abihebeye Imana benshi bavuye mu mihingo itandukanye y'igihugu cacu. Tutibagiye abene Mariya bene urubanza.

Soma ku Rup. 3

## Ibirimwo

o Impundu mu muryango w'ababikira Bene - Umukama..............................4
o Ingene urugo rwifashe mu bihe vya none..................................................6
o CVR - Burundi: Ukutihanganiranira muri Politike y'Uburundi vyatanguranye n'amatora yo mu myaka y'1960 ..............................................................8
o Uburenganzira bw'abana bwo kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bwabo..........................................................................................10

# Idominika ya mirongo ibiri: Umukama A

## Igisomwa ca mbere : *Izaya: 56,1. 6 – 7*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Izaya :

*(Abana ba kavantara nzobajana ku murambi mweranda iwanje)*

Ng'iri iriyazwe n'Umukama :
Kurikiza ukuri, ugire ubutungane kuko urukiza rwanje ruri hafi gushika, kandi ubutungane bwanje buri hafi kwiserura. N'abana ba kavantara bemeye gukurikira Umukama ngo bamukorere, bagakunda izina ryiwe, bakamubera umusavyi, ntibakengere umunsi w'isabato, kandi bakagumye ibanga ry'isezerano yanje, abo nzobajana ku murambi mweranda iwanje.

Nzobanezereza mu Ngoro yanje Nyeranda, inkuka zabo n'imbagwa zabo nzozakiriza yompi kuri altari yanje, kuko ingoro yanje izokwitwa « Ingoro abantu bose bazosengeramwo ».

## Igisomwa ca kabiri: *Abanyaroma:11, 13 - 15. 29- 32*

Ivyo dusoma mw'ikete Umutumwa Paulo yandikiye Abanyaroma:

(*Imana iratanga ikongera ikitorera*)

Ncuti zanje :
Ndababariye mwebwe, mwa banyamahanga : ndi umutumwa ku banyamahanga, ndatera iteka ibanga nashinzwe ; ivyo vyose ndabigira kugira ngo kumubure ab'iwacu bavyure umwikomo, mbone gukiza bamwe muri bo. None, ko aho bigijweyo ariho isi yaciye isubira kwuzura n'Imana, umunsi bazogarukira ho hazoba iki : nta kindi atari izuka mu bapfuye !

Na none, Imana iratanga ikongera ikitorera, ntisubiza inka mw'igabiro. Nkako na mwebwe kera mwari mwaragambarariye Imana, none ubu mwagiriwe ikigongwe kubera ubugambarazi bwanyu, niko na bonyene ubu bagambarariye Imana kubera ikigongwe mwagiriwe. Imana yarugaranye abantu bose mu bugambarazi, kugira ngo ishobore kubagirira ikigongwe bose.

## Inkuru nziza: *Matayo : 15, 21– 28*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Umuntu ntatungwa n'indya gusa, ariko aratungwa n'ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Matayo:

*(Ewe wa mukenyezi, ukwemera kwawe ni kunini)*

Umunsi umwe, Yezu yari agiye amarora i Tiri na Sidoni. Hanyuma haza umukenyezi w'i Kanahani avuye muri ico gihugu, ashira ijwi hejuru avuga ati: « Ngirira ikigongwe, Mukama, Mwana wa Dawudi, akigeme kanje shetani yakishe. » Yezu ntihagira ico amwishura.



Abigishwa biwe bamwegereye bamusaba bati : « Mwirukane, adukure induru inyuma. »Yezu asubizayo ati: « Nta bandi banzanye atari intama z'Israyeli zatakaye. »

Nya mukenyezi amwegereye aramupfukamira, avuga ati : « Ntabara se Mukama. » Yezu aramwishura ati : « Ntibikwiye ko umukate w'abana wohabwa utubunda. » Nya mukenyezi asubizayo ati : « Ni ivy'ukuri Mukama ; ariko utubunda turarya utuvunguka dukorotse tuva ku meza ya ba shebuja. »
Yezu aramwishura ati : « Ewe wa mukenyezi, ukwemera kwawe ni kunini ! Nibikubere rero nkuko wipfuza. » Kuri iyo saha nyene, wa mwigeme wiwe aca arakira.

# Indagano mu muryango w'ababikira b'Umushaha Utatyoye wa Bikira Mariya «Bene Mariya»

Abakristu ba Paruwase Busiga n'abavuye mu micungararo na bo nyene bari bakubise isengero iruzura, buzuye akanyamuneza.

Imbere ya vyose umushingantahe wa Diyoseze, Musenyeri Anselme Nicintije, icegera c'Umwepiskopi w'i Ngozi yaciye ahamagara abaramukanye urubanza, ari bo b'aba :

**•Indagano za mbere bari 10 :**

Novice Anne Marie Kanyange (Butezi / Ruyigi); Novice Odile Arakaza (Gisozi / Gitega) ; Novice Nadine Ndayikeza (Bururi /Bururi); Novice Magnifique Ndihokubwayo (Bwoga / Gitega) ; Novice Marie-Odette Ndayizeye (Mivo / Ngozi) ; Novice Célestine Niyonkuru (Gatara / Ngozi) ; Novice Yvonne Nizigama (Kibezi /Bururi) ; Novice Emilienne Tuzohabwanayo (Budartora / Gitega); Novice Jeanine Niyonkuru (Makebuko / Gitega) ; Novice Renate Bashirahishize (Ngozi / Ngozi).

**•Iz'imyaka yose bari 8:**

Mama Anne Marie Twemerimana (Nyanza / Bururi) ; Mama Immaculée Nzeyimana (Mubuga / Ngozi) ; Mama Béatrice Nkurikiye (Gihogazi/ Gitega) ; Mama Diane Nininahazwe (Ruyigi / Ruyigi) ; Mama Anne Marie Singirankabo ( Buziracanda / Bujumbura); Mama Ancilla Nzambimana ( Ngozi / Ngozi) ; Mama Aulérie Manikezwe (Musongati / Rutana) ; Mama Aline Niyonzima (Mabanda / Bururi).

**•Abagira Yubire bari 6:**

Mama Marie Rose Bimenyimana (Muhweza / Bururi) ; Mama Fidès Nijimbere (Munanira / Bujumbura) ; Mama Marie Rose Bimenyimana (Gitongo / Gitega) ; Mama Pascaline Ngendakumana (Kibungere / Gitega) ; Mama Florence Kaze (Rumeza / Bururi) ; Mama Jacqueline Ndikuriyo Butwe / Bururi).

Baca baratera intambwe bigira imbere. Imisa irabandanya.

Mu nsiguro y'uyo musi Musenyeri Georges Bizimana yashimikiye ku bisomwa vyategekanijwe uyo musi, ati abo bihaye Imana badukoranije batoye iyo nzira kuko ibasumbira izindi zose, inzira y'ubuhirwe bwuzuye n'akanyamuneza, ati kandi ni co twaremewe twese (Mt 5,1-12).

Avuga y'uko Ubworo ari ukwimatura ku vy'isi, ko amatungo atotuboha yokwugurukira Imana hamwe n'abandi. Ashishikara avuga ko kugira umutima mwiza bitaraba gusa ingeso nziza y'ubwerentegerwa, ari ukugira ubweranda, ubutungane, umutima wagutse, abantu b'inda nsa bugurukiye bwa buhirwe bwuzuye, bari mu bunywanyi bw'Imana, bakagira umubano mwiza n'abandi.

Iyo bashikiwe n'ibigeragezo, bavyakirana ukwiyumanganya, nta shari, ntibaja mu nsaku n'ugutoteza abandi, barisanga mu muryango mu muryango w'abari mu mahoro ari bo bana b'Imana. (Ivyahishuwe 7,9).

Yahanuye abari baramutse bashikiriza indagano zabo ngo bame bisunga iyo nzira batoranye, ibabere rya tunga basanze ryinyegeje mu murima aho abandi batazi, ribabere ya ntabonwa. Ati ica mbere gitera amagorwa n'umuruho ni ukwamana umunoho w'ivy'isi, akaryoheramubiri.

Uwugendera za ndagano zitatu (Ubworo, Ubugamburutsi n'Ubwerenterwa), aba afise ubwigenge, agamburuka aho bamutumye hose kumwe twavyumva mu gitabo c'umuhanuzi Ezekiyeri, akaja no mu bo Imana yita ko ari amakungu yagararije… (Ezekieri 2,1 - 3,4).

Umweranda Alphonse wa Liguori na we yavuze ko Uwihebeye Imana ameze nk'ishurwe riri mu mahwa. Ni co gituma abwirizwa kubanza kwihereza Imana mu gitondo, ku mugoroba akegera Imana agatanga raporo imbere y'ukuruhuka. Rimwe mu mwaka akagira umwiherero.

Azoronka umusaraba, mugabo inyuma yawo azoronka ubuhirwe budahera.

Umwepiskopi yarangije abipfuriza gukomera kw'ibanga n'aho isi imeze uko iri, bame ivyamwa vyinshi kandi bihimbaye, baberane n'Uwabatoye ari We Nyen'ububasha bwose azobahagarikira.

Inyuma y'iyo nyigisho, abanovisi baciye begera Umwepiskopi barashikiriza indagano zabo za mbere, baronka imyitwikiro, barashikirizwa n'igitabo c'amateka y'Umuryango.

Aba burundu na bo barazishikiriza, barambikwa impeta imenyesha ubucubuti bafitaniye na Kristu, Umwungere aca abashikiriza umusaraba umenyesha ubumwe bafitaniye na Kristu Mucunguzi.

Umwe wese agaca aja kw'Altari gutera igikumu ku vyo ahejeje kuraganira Imana.

Aba Yubire bo bavuze igisabisho co gukenguruka imyaka 25 bamaze mw'ibanga, Umwepiskopi aca abaronsa Bibliya Nyeranda ngo Ijambo ry'Imana rishinge imizi mu buzima bwabo.

Inkuka ya Misa irangiye, urubanza rwaciye rubandaniriza mu nyubakwa za Lycée BUSIGA, ari na ho havugiwe amajambo yo gukenguruka ajanye n'uwo musi. Na cane cane bagakeza abo bumvirije ijwi ry'Umukama bakaryitaba, bagirako babaha n'impanuro ko bokwumira kw'ibanga, babe umunyu n'umuco w'isi.

*Mama Gemma NDINZIMINSI*
*Mama Frédiane NIBOGORA*
*Mama Générose NIBOGORA*
*Bene Mariya*

# Impundu mu muryango w'ababikira Bene - Umukama

Ku musi wa gatandatu itariki 12 Myandangaro 2023, Umuryango w'Ababikira Bene - Umukama wiriranywe akanyamuneza ko kwakira abavukanyi bashikiriza Imana Indagano z'Ubwihevyi.

Ivyo birori vyabereye muri Paruwase yitiriwe Mikaeli Mweranda i Bujumbura birongowe na Nyen'Icubahiro Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa, Umwungere Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, ari kumwe na Musenyeri Evaristo Ngoyagoye Inararibonye mu Bepiskopi b'Uburundi.

Hari kandi n'Icegera gikuru c'Umwepiskopi wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, abasaserdoti batari bake baje gushigikira uyo muryango baje bavuye mu yandi madiyoseze n'abihebeyimana benshi, tutibagiye abene Umukama ari bo bene urubanza.

Abashikirije indagano zabo mu Muryango w'A-babikira Bene - Umukama ni bo b'aba :

**• Abagize Indagano za mbere bari 8:**

Novice Denise Nibizi avuka muri Paruwase Karinzi, Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, Novice Dorine Niyonemera (Paruwase Bururi - Bururi), Novice Floriane Nkurunziza (Paruwase Ryarusera - Bujumbura), Novice Belyse-Chantal Nizigiyimana (Paruwase Ijenda - Bujumbura), Novice Claudine Nininahazwe (Paruwase Bukeye- Bujumbura), Novice Scholastique Nyandwi (Paruwase Muyange - Bururi), Novice Marie Chantal Nintunze (Paruwase Ijenda - Bujumbura), Novice Gaudence Nyandwi (Paruwase Rumonge - Bururi).

**• Abagize Iz'imyaka yose bari 7:**

Mama Mediatrice Niyonkuru, Mama Odila Ndayikeza na Mama Gloriose Kanyange bavuka muri Paruwase Ryarusera - Bujumbura, Mama Divine Uwimana (Paruwase Kayongozi - Ryigi), Mama Francine Kwizera (Paruwase Musaga - Bujumbura), Mama Lydia Dusaba (Paruwase Karusi - Gitega), Mama Marie Goreth Ntakirutimana (Paruwase Kivoga ca Rutana)

**•Ababikira bakengurukira imana ku myaka 25 bamaze muri uyo mu ryango bari 4:**

Mama Godeliève Ngendahayo, (Paruwase Matara - Bujumbura), Mama Ildégarde Hatungimana, (Paruwase Kiganda - Bujumbura), Mama Viola Maniraho (Paruwase Kiganda - Bujumbura), Mama Béatrice Ntiranyibagira (Paruwase Makebuko - Gitega).

Inkuka ya misa irangiye, urubanza rwabandanirije mu nzu y'amanama ya Bene Umukama, aho amajambo yose yashikirijwe, yagaruka k'ugukenguruka ivyo vyiz Imana ikora mu bantu, bongera basabira ibagize indagano kugumya iryo banga.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Diyoseze Bubanza: Iyatirwa mu busaserdoti n'ibice vyabwo

Kuri wa gatandatu igenekerezo rya 8 Mukakaro 2023 muri paruwase ya Mabayi diyoseze BUBANZA, mu Nkuka ya Misa yatanguye igihe c'isaha zine zo mu gatondo, harabereye iyatirwa mw'ibanga ry'Ubusaserdoti, Ubudiyakoni n'ibice vyabwo. Inkuka ya Misa yari irongowe na Musenyeri Joriji BIZIMANA asanzwe ahagarariye Papa muri diyoseze BUBANZA.

Mu nsiguro yiwe y'uyo musi, Musenyeri Joriji BIZIMANA ntiyahengeshanije kwibutsa igihungu c'Imana cari ngaho ko Umusaserdoti ari ingabire y'Imana kandi ko mu kwitanga kwiwe aba umuhuza w'Imana n'abantu. Umusaserdoti kandi ngo ni igikoresho Yezu Kristu acako muri Ekleziya yiwe kugira agume ayishunguruririko imihezagiro maze igume ari nyeranda. Ati nkuko Imana yarungitse umuhanuzi Yeremiya, Umusaserdoti nawe nyene arungikwa n'Umukama yuzuye ubushobozi bw'Imana n'Ijambo ryayo agaheza akarangura atyo iryo banga kw'izina ry'Umukama. Yahejeje atumirira abakristu kwitaho abaseserdoti babo mu kubasabira no mu kubashigikira mu vya nkenerwa.

Inyuma y'insiguro, hakwirikiye ibirori vyo kwatira mw'ibanga ry'Ubusaserdoti, ubudiyakoni n'ibindi bice.

**Abatiwe mw'ibanga ry'Ubusaserdoti ni aba bakwirikira :**

1. Diyakoni BIBONIMANA Félix paruwase MUSIGATI
2. Diyakoni NAHAYO Victor paruwase MABAYI
3. Diyakoni NDAYISHEMEE Rénovat paruwase MUYEBE
4. Diyakoni NDAYIZEYE David paruwase KABURANTWA
5. Diyakoni NIYIBIGIRA Désiré paruwase MUYEBE
6. Diyakoni NIYONKURU Christophe paruwase MASANGO
7. Diyakoni NHONDEREYE Alphonse paruwase BUBANZA

Haratiwe kandi imisore 8 mw'ibanga ry'Ubudiyakoni. Abasore 9 baronse igice c'Ubukorezi, imisore 7 nayo ironka igice c'Ubusomyi.

Inyuma y'igisabisho c'Inkuka ya Misa abatumire bahire baciye bahurira ahari hateguwe kugira basangire akavunamusase bateko basangire n'amajambo yateguwe kuri uyo musi.

Abafashe amajambo bose bagaruka kugukeza abatiwe n'abaronse ibice, bakabasaba kwumira kw'ibanga. Ibirori vyagiye kurangira igihe c'isaha icumi z'umuhingamo, mu kanyamuneza ntangere.

***Emmanuel Havyarimana***
***Bubanza***

# «Jewe ndi umusavyi w'Umukama».

Inkuka y'imisa yaherejwe na Nyenicubahiro Musenyeri Bonaventure Nahimana Umwungere wa Diyoseze Nkuru ya Gitega, akikijwe n'abasaseredoti bari baje gushigikira uwo muryango.

Mu nyigisho y'Ijambo ry'Imana, Nyenicubahiro Musenyeri Bonaventure Nahimana yayishikirije mu bice bitatu.

**Igice ca mbere** : yarasiguye muri rusangi ashimikiye kw'ijambo Bikira Mariya yashikirije Umumalayika yaje ku muburira ico Imana imushakako. Mariya amaze kumva ico Imana imushakako yaciye yitaba wese ngo ishaka ry'Imana riranguke uko ryakabaye mu buzima bwiwe bwose aca yishura Umumalayika ati : « Jewe ndi umusavyi w'Umukama. » (Luka 1,36).

Mariya ni wese muri ayo majambo, umubiri wiwe n'umutima wiwe vyinjiye mw'ishaka ry'Imana, ku buryo ata na kimwe muri we cobera intambamyi iranguka ry'umugambi w'Imana. Ayo majambo «Jewe ndi umusavyi w'Umakama» niyo adondora Mariya, niyo amuranga, ni izina rya Bikira Mariya.

Kuva mu Bwuzure bwa kera ni iteka ry'uko umuntu ahamagariwe kugira uruhara mw'iranguka ry'umugambi w'Imana yiyita umusavyi w'Umukama.

Iryo jambo Bikira Mariya yakoresheje yarikuye mu Bwuzure bwa kera, kuko iryo zina riranga uwo Imana yatonesheje nawe akayikundira. Niryo Mariya yatoye ngo yerekane ko ari muri urwo rukurikirane rw'abemeye kugamburukira Imana, bakinjira mu mugambi wayo ngo bategure urukiza rw'igihugu cayo. Haba mu kuyivugira, mu kuyiserukira bagenda bibutsa igihugu cayo insezerano Imana yagiriraniye naco.

Ariko rero, umusavyi w'Umukama akura abandi bose ni Yezu Kristu. Umwigisha yitonda kandi akicisha bugufi ashikiriza Inkuru nziza aboro ari hagati y'abiwe nk'uwubakorera. Umuhanuzi Izaya yaratumenyesheje ibiranga uwo musavyi ababara : ubugamburutsi n'ukwicisha bugufi.

Mariya rero mu kuba umusavyi w'Umukama yarondeye kw'ishushanya n'Umwana wiwe. Kuko yemeye kumwakira no kumuherekeza gushika munsi y'umusalaba, kuko bahuje muri vyose, barahuza amaraso, umutima n'ivyiyumviro kuko bose ari abasavyi b'Umukama atakindi bakurikirana atari ishaka ry'Imana.

**Igice ca kabiri c'inyigisho** cerekeye Incoreke za Bikira Mariya aho abahamagarira gusa na Bikira Mariya ati: «Usaba umwiza mugasa.» Nk'Incoreke za Bikira ni abasavyi b'Umukama.

Mariya nababere akarorero muri vyose nkuko bavyemera mu kwishikana kuri Yezu baciye kuri Bikira Mariya muri ca gisabisho ca Ludoviko Mariya w'i Montfort umwe wese avuga ku musi ku musi ati : « Ndi uwawe Mariya n'ivyo mfise vyose ni ivyawe. Ndakweguriye umutima n'umubiri ivyo mfise ubu nivyo nzoronka hanyuma. »



Yasavye Incoreke za Bikira Mariya kwihereza Imana bisunze amasabo ya Bikira Mariya yigishwa n'umweranda Ludoviko Mariya w'i Montfort. Abasaba ko bokwama bisunga Bikira Mariya mu gukorera Imana n'abavukanyi.

**Igice ca gatatu c'inyigisho** cerekeye Incoreke za Bikira Mariya bari baramutse bagira indagano n'abigina yubile aho yabahamagariye kwinjira mu mugambi w'Imana no kwakira ishaka ryayo kuko umugambi w'Imana ariwo uzanira urukiza abantu n'isi yose.

Ishaka ry'Imana ntiryama ryoroshe kuko risaba kubamba kamere yacu, kuvavanura n'ivyipfuzo vyacu ngo tubashe kwivako tubone kugendanira Yezu Kristu twikoreye umusalaba wacu.

Yabatumiriye rero kudatinya kwikorera Umusalaba kuko Imana yabatoye ari umudahemuka ; abatumirira kandi gukundira Mariya ngo abafate ukuboko abashikane kwa Yezu umwana wiwe. Birinde kwirondera no kwikunda birenze urugero kuko bivyara ubwishime n'ubwibone aho kubona Imana imbere yabo no muri vyose akaba aribo bibona.

Ati «Murame mugendera imbere yayo izoheza ibereke ko muri abantu bintege nke, bamagara make, babacumuzi ata co bokwishoboza badafashijwe n'inema yayo kugira bame batangarira urukundo ibakunda rubatuma bazokwama bazigamye ibanga mu kurangura neza ico indagano baragana zibategereza».

*MSV Ndikumana Marie Goreth*

# Ingene urugo rwifashe mu bihe vya none

### *1.2 Ikibanza c'umugabo n'ikibanza c'umugore mu rugo*

Mu rugo rw'ikirundi ikibanza n'ibikorwa vy'umwe umwe biragabuye.

Umugabo mu rugo ni Serugo. Ni we araramutswa, akaruserukira, akaruvugira, akubaka inzu n'urugo, akicira i-biti, agakwabura.... akaba ariwe araba indero y'abana b'abahungu.

Bisubiye kandi umugabo ni we yari ajejwe imigirwa ikingira urugo ikaruzanira imigisha nk'guterekera, ukubandwa, ugutanga umwaka. Serugo yari nk'umusaserdoti w'imigirwa y'urugo.

Umugore nawe yari Inarugo. Ni we yaraba ivyo mu nzu vyose, akaraba indimo (kiretse ibitoki n'ikawa bimaze kuza), akaraba isuku ry'inzu n'iryo mu rugo, akaraba indero y'abana b'abakobwa.

Umwe umwe yari afise ivyo abazwa kandi aganza, hanyuma ivyaba bivuye mu gikorwa c'umwe bikaba ivy'urugo rwose. Nk'akarorero inka ntiyashobora kuva mu rugo hatabanje kuba inama y'urugo.

Yamara naho vyari uko, umugabo ni we yari umukuru, ni we yashobora kwirukana umugore canecane iyo adakoze neza ivyo ajejwe. Hariho intara zimwe zimwe bakoresha mbere ijambo ry'uguhiiga umugore (ukamenga ni nk'impongo bahiiga).

Umugabo kandi yaba agwije amatungo ni we yashobora kwishingira ingo nyinshi kugirango aronke uruvyaro runini kuko aba afise ivyo azobagaburira.

### *1.3 Ikibanza c'abana mu rugo*

Ukugira uruvyaro wari umuhezagiro, kuko rwerekana ko izina n'iteka vy'umuryango bizobandanya. Ico ni co cari ikibanza ca mbere c'umwana mu rugo. Mugabo kandi urugo ruronse ibibondo rwaba ruronse abarukorera rukaguma rwagura umuvumba. Rwaba ruronse kandi abazoruhagararira bikenewe n'ukurugwanira bakarugwanira.

Abana bavukira mu rugo rumwe, bagakurira hamwe, bakaronka indero imwe bahabwa n'ababa mur'urwo rugo bose guhera ku bavyeyi, ba sekuru na inakuru, ba sewabo na ba inasenge. Abavyeyi kandi baramenyereza abana incuti z'umuryango: bakabajana iyo bagiye kuramukanya canke naho bakabarungikana twaba udukooko caba igiseke.



Abana baranamenyerezwa udukorwa kuva bakiri bato, umwana w'umukobwa akamenyera gukora udukorwa two mu nzu nk'ugukinjika, ugukubura n'ibindi, umuhungu nawe akamenyerezwa udukorwa tw'ibitungwa nk'ukuragira, guca icarire, gusobanya urugo n'ibindi.

Umwana rero yakurira mu muryango wagutse kandi akamenyerezwa kugira uruhara mu buzima bw'urugo hakiri kare. Bwari bwo buryo bw'ukumutegurira kazoza.

### *1.4 Ivyatunga urugo*

Urugo rwatungwa n'ibiri aho nyene nukuvuga itongo n'ibitungwa. N'ababa bafise umwuga, ibiva muri wo vyari ibiza vyiyongera kuvy'itongo.

Urugo rushasha rwatangurana cane cane ivyo abavyeyi baruhaye, ahubwo mu minsi ya mbere hoho bamaze kuva mu nkinga abageni bafungurira mu nzu y'abakuze canke naho bagafungurira mu nzu iwabo mugabo bafungura ivyateguriwe mu nzu y'abavyeyi. Mu bisanzwe umukazana yashikirizwa inkono yiwe amaze kwimbura.

Mu gutunganya ivy'urugo naho, ibikorwa vyari bigabuye: umugabo yaba afise ivyo ajejwe, umugore nawe akagira ibindi ajejwe, yamara mu bisanzwe ibintu vyose vyari ivy'urugo.

Amatungo yose yari amatunga rusangi afasha abo mu rugo bose kubaho atawukumiriwe.

N'iyo habaye ikivi canke igitungwa bihawe umwana mu gihe atari ivyo bamusohoje, ivyo vyatanga ntahandi vyafasha atari mu rugo.

### *1.5 Urugo mu migenderanire n'izindi ngo*

Urugo mu Burundi ntirwari rwiyugariyeko, ntirwari karadoga kuko ngo "Nyamwigendako ntiyarimiye impeshi".

Akenshi, tuza twabivuze, abavukana baba bubatse hamwe n'umuvyeyi canke hafi yiwe kw'itongo ry'umuryango. Baba bagize igisata kimwe. Abo bobo baramana.

Mugabo uretse ivyo, urugo rwaba rufise kandi n'ababanyi, ba bandi dukunda kwita abazimyamuriro. Abo ni bo bandi baba basangiye vyinshi: gutumiranira, kurahuriranira, gusangira ikibiri, gufashanya mu bihe bigoye n'ibindi.

Iyo migenderanire yo mu kibano yari ihambaye cane, yari iy'ukubunga-bu-nga kuko "Umubanyi ni we muryango" kandi ngo "Umunsi wakwanse uzinduka uratata n'umubanyi".

Hariho rero n'incuti zozo zaba zikwiragiye mur'ako karere canke n'ahandi. Abo basangiye ubucuti iyo bishobotse baragenderanira, naho nyene atari bose canke naho bagaseruka iyo cane cane hari

Ibikur. urup. 7

# Ingene urugo rwifashe mu bihe vya none

urubanza rwaba urw'ineza canke urw'inabi.

Imigenderanire mikuru mikuru y'ingo yahagarara ngaho.

Mu ncamake rero, urugo mu Burundi bw'aho hambere rwaba rugizwe n'umugabo n'umugore n'abana, umwe umwe we-se afise ico ajejwe kugirango rubeho kandi rutere imbere, rukaba kandi rusangiye vyinshi n'izindi ngo z'umuryango, izo mu kibano be n'iz'incuti.

Yamara rero ishusho y'urugo ntikiri iyo muri vyose kuko mu gihugu hagiye haraza imico yindi n'intumbero zindi zerekeye urugo.

Ivyatumye haba impinduka mu rugo ni vyinshi, ntawobidondagura ngo abiheze.

Hinge turabire hamwe ibikuru bikuru vyatumye haba impinduka zitari nke mu buzima bw'urugo.

**2. Bimwe bimwe mu vyazanye impinduka mu rugo**.

***2.1 Umuzo w'Ijambo ry'Imana.***

Ukugenda mu misa canke mu gihimbazo ukw'iyinga riheze hamwe n'ukuja kwiga ikatikisimu vyatumye imisore n'inkumi bavuye henshi bamenyana, bayaga bagaca bashobora n'ukugira umugambi w'ukubana bazoheza bagashikiriza abavyeyi, kandi atari abo bavyeyi babanje kuja inama.

Ivyahora ari umugambi w'abavyeyi vyaciye bihinduka umugambi w'abana bageze mu bigero. Imvo z'ugushimana zarahindutse ntizari zigishingiye k'ukunywana kw'imiryango gusa, zashingiye canecane k'ukumenyana n'ukwemeranira kuzobana kw'abipfuza kwubaka.

Ukwo guhurira kw'isengero kwaratumye kandi n'ingo z'abakristu zimenyana, zimwe zimwe zirunga mbere n'ubucuti bufatiye k'ubukristu, nk'akarorero ubucuti bushingiye mu guhagarikira ku bugeni canke kw'ibatisimu. Ubucuti bw'ingo bwariyaguye burarengera ubwari bufatiye ku miryango gusa.

Inyigisho zerekeye isakramentu ry'ukwabirana cane cane izitegekanya ko iryo sakramentu rihabwa abemeye kubana ubuzima bwose ari umugabo umwe n'umugore umwe, zaratumye ingo zirama, abagore bararonka agaciro kuko ukwirukanwa n'uguharika vyaciye bigabanuka.

Ugusubiriza amazina amwe amwe y'ikirundi n'amazina arora ku Mana vyaratumye navyo uruhererekane rw'inzanko n'amashari mu miryango rugabanuka.

Ahari amazina nka ba Bazompora, Nkurabagaya, Surwavuba n'ayandi menshi, haciye haja ba Nininahazwe, Nsabiyumva, Irankunda, biraheza birazana agahengwe mu migenderanire y'ingo biranagabanya ivy'ukuja mu bapfumu kuko bobo baguma batsa umuriro w'ugukekana n'inzanko mu bantu.

***2.2 Umuzo w'amashule.***

Ukuja mw'ishuli kwatumye abana bava i muhira, bakamara umwanya munini batari kumwe n'abavyeyi. Indero yabo ntiyari ikibaye imwe yo ku ziko gusa, yabaye iy'abarezi batanga, kandi ivuye ahandi.

Abana kandi ntibari bakibaye ba bandi bakorera urugo gusa, babaye abagenda kwitegurira kazoza kabo babifashijwe n'abandi atari abavyeyi babo. Ishuli ryatumye umengo umwana araciye mu myanya y'intoke abavyeyi, akazokwigira umuntu kubw'ubwenge bwiwe gusa, mbere n'ukwubaka akazoshobora kwubaka atarinze kubifashwa n'abavyeyi.

Abavyeyi batangura gutinya abana babo bize, abo bana nabo batangura kwifata nk'abakuze rimwe rimwe hataragera. Kubera y'uko ishuli ryigiza umwana kure y'abavyeyi kandi rikamuha indero yindi, rikanazomutuma yigenga, ryabaye inkomoko y'uko mu rugo abantu batangura kwigendako. Umusurusuru wabafatanya utangura kuza urakweguka.

**2.3 Amategeko y'igihugu**

Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi mu ngingo zaryo za 13 na 14, riratangaza ko abarundi bose banganya iteka kandi ko bategerezwa kwubahiriza iteka rya zina muntu. Ntawurengeye uwundi imbere y'amategeko.

Ivyo ni ko bitegerezwa kuba no mu rugo. Kandi noneho n'itegeko rigenga abantu n'imiryango riraha uburenganzira bungana abubakanye mu gushinga aho baba (124), mu kurera abana (123), mu kudahemukiranira n'ugufashanya (122).

Amategeko kandi ntiyemera ivy'uguharika. Amategeko y'igihugu arakingira rero abasangiye urugo kugirango ntihagire urenganya uwundi canke ngo amurye umutima, amuhohotere.

**2.4 Umuzo w'ibisagara**

Mu Burundi dusanzwe tumenyereye ko urugo rwibana canke naho abavukana bakubaka mu rugo rumwe bakikije umuvyeyi.

Umuzo w'ibisagara waregeranije abantu, bagasanga babaye ababanyi n'ukumenyana batari bazinanye. Ku ruhande rumwe uwubatse mu gisagara aba abaye nk'uwigeruye, agiye kuba kure y'umuryango, ku rundi ruhande narwo aca aronka izindi ngo babana bikunze zigashobora kuba abagenzi.

Yamara ivy'arivyo vyose imico yo mu mihana twari tumenyereye ntiba igishoboka yose nka bimwe vy'uguhana akunyu, kurahuriranira, gusigariranira abana n'inzu n'ibindi. Urugo rwo mu gisagara rutegerezwa kwimenya muri twinshi.

***Biracaza***

*Ihwaniro rya mbere ry'ingo n'imiryango mu Burundi, ryo kuva 22 gushika 25 Ruheshi 2023*

# CVR - Burundi: Ukutihanganiranira muri Politike y'Uburundi vyatanguranye n'amatora yo mu myaka y'1960

Umurwi w'igihugu ujejwe kuvugana ukuri no kurekurirani ku vyabaye mu Burundi (CVR) ubandanya ushira ahabona ukuri kuri kahise kw'Uburundi. Ku wa 10 Myandagaro 2023, uwo murwi w'igihugu warakoranije abamenyeshamakuru mu nama yo kubamenyesha ivyavuye mu matohoza ya CVR ku bijanye n'indyane zakurikiye amatora yo mu myaka y'1960 n'imyaka yakurikiye.

Kubw'uwo murwi, ngo amatora ya mbere y'ukuri yisunze ingendo ya demokarasi yabaye amatora y'abashingamateka n'abakenguzamateka yo mu kwezi kwa Nyakanga 1961 ahagarikiwe n'umurwi w'ishirahamwe mpuzamakungu ONU mu gisata caraba akarere ka Ruanda-Urunda. Uwo murwi wahagarikiye amatora wari ugizwe n'abantu batatu: Rehma wo mu gihugu ca Irani, Ernest Gassou wo mu gihugu ca Togo na Max Dorsinville yava mu gihugu ca Hayiti.

Abo bantu babiri ba nyuma ngo bagize uruhara rudasanzwe kugira ngo amatora ashoboke kuko ngo imigambwe yari myinshi kandi bamwe bose bashaka gutsinda amatora.

***Ukutihanganiranira muri politike***

Mu Burundi vyatanguye inyuma y'ayo matora. Abantu batari bake mu bari bizewe n'abenegihugu barahasize ubuzima, abandi barangazwa ivyabo biranyagwa.

Nk'uko Petero Claver abivuga, abashizwe imbere mu matora benshi baragandaguwe kandi benshi bari mu bwoko bw'abahutu. Uwa mbere yagandaguwe kandi twama twibuka ni umuganwa Rudoviko Rwagasore umwana w'umwami Mwambutsa Bangiricenge.

Iyo mboneza muri politike y'Uburundi yagandaguwe itariki 13 Gitugutu 1961 inyuma y'uko ahejeje guharanira intahe y'ukwikukira araheza agandagurwa atabonye ukwigina iyo ntahe.

**Amatora yo mu 1961**

Amatora y'abashingamateka yabaye ku wa 18 Nyakanga 2061 yitabwe n'abantu isinzi. Muri ayo matora, ku ruhande rutari ruto hakoze ibimenyetso kuko abarundi benshi b'ico gihe ntibari bazi kwandika. Hari rero ibimenyetso bishika 36 bigizwe n'amasuka, amasahani, ibirato, ivyakunze n'ibindi bikoresho bikoreshwa mu buzima bwa misi yose. Ikimenyesto kimwe kimwe cose caba gifise umugambwe cerekana.

Muri ayo matora, umugambwe UPRONA waronse amajwi 80%, ni ukuvuga intebe 58 kuri 64 zariko zirahiganirwa. Imigambwe PDC, PDR na PP yasabikanije intebe zibi zibiri muri izo 6 zari zisigaye. Uwo mugambwe UPRONA ngo woba watsinze amatora kubera warimwo abagore benshi kandi rikaba ryari irya mbere abagore bemerewe gutora.

Abandi nabo bakavuga ko UPRONA yatsinze amatora kubera imigambi irashe y'Umuganwa Rudoviko Rwagasore. Ariko muri ivyo vyose, ngo ntawokwiyobagiza uruhara rwagizwe n'abagenzi ba Rwagasore bo mu bihugu vyo muri Afrika vyaheruka kwikukira. Aho twovuga nk'igihugu ca Misiri ngo catanze imodoka zifasha mu myiyamazo y'umugambwe wa Rwagasore.

**Amanama yo kugandagura Rudoviko Rwagasore**

Inama ya mbere yamenyekanye y'abakoloni yabereye i Gitega ku wa 21 Nyakanga 1961 irongowe na Roberto Régnier. Bivugwa ko hari ivyiyumviro vyo kwica abatowe muri UPRONA bose kuko batari bacubahiriza amategeko y'abakoloni nk'uko babishaka. Ibihuha ico gihe vyari vyinshi, ariko icaza imbere cari uko Rwagasore ategerezwa gupfa. Inama ya kabiri yabaye uwo musi nyene irongowe na Régnier ari kumwe n'akarwi gatoyi k'abantu bane.

Ku ruhande rw'abahemu b'abarundi, amanama yarabaye ku wa 22 no ku wa 27 Nyakanga. Kuri iryo sango rya nyuma abitwa Jean Baptiste Ntidendereza na Antoine Nahimana ngo bari bumvikanye ko Rwagasore arasirwa ahitwa kuri Km 61, ku ruzi Mubarazi hagati ya Muramvya na Bugarama.

Mu matohoza umurwi CVR wakoze, haramenyekanye yuko ngo umuganwa Rwagasore yagandaguwe ku musi wa gatanu itariki 13 Gitugutu 1961 inyuma y'indwi zitatu hatanguye amanama yo kumugandagura. Hari haheze imisi 14 gusa ari ku ntebe y'umushikiranganji wa mbere w'ingoma y'Uburundi. Yarasiwe ku nzu y'ubunywero «Restaurant Tanganyika» iri haruguru y'ikiyaga Tanganyika igihe c'isaha zine n'iminota 50 z'ijoro ariko asangira imfungurwa na bamwe bamwe mu bashikiranganji biwe.



Imyiteguro nyezina y'ako kabi yatanguye isaha imwe y'ijoro, aho Antoine Nahimana na Yohani Ntakiyica bahuriye kwa Joseph Birori ari kumwe na Yohani Ntidendereza kumwe n'abandi bari basangiye uwo mugambi mubi. Bamaze kumenya neza aho Rwagasore ari, baciye bafata imodoka bahitana inkoho yo mu bwoko bwa Mauser ya Antoine Nahimana.

Umugiriki Kageorgis niwe yarashe Rwagasore mw'izosi. Abarundi batanu Yohani Batista Ntidendereza, Yohani Biroli, Yohani Bapista Ntakiyica, Henri Ntakiyica na Antoine Nahimana hamwe n'abagiriki batatu Yohani Kogeorgis, Michel Latrou na Liverios Archaniatos.

Biracaza

Mélance Ndayikeze

# Kuva 2025, Intara ya Burunga izoba igizwe n'amakomine 7

*4. Komine Musongati, umugwa mukuru wa komine ni Kayove, igizwe n'amazone 12. Nayo ni :*

• Zone Butezi igizwe n'imitumba 9: Buhogo, Butezi, Kabingo, Kibimba, Mutwana, Mwebeya, Nkanka, Rubanga, Shasha.
• Zone Gakungu igizwe n'imitumba 8: Gakungu, Mugombwa, Murara, Murembera, Mwango, Ngomante, Nyabakara, Nyamateke.
• Zone Gatakazi igizwe n'imitumba 5: Gatakaza, Kagunga, Maganahe, Rusunu, Yove.
• Zone Giharo igizwe n'imitumba 8: Bayaga, Bukeno, Giharo, Gitanga, Kanyererwe, Mura, Musenyi, Nkurye.
• Zone Kayero igizwe n'imitumba 9: Gihera, Gitaba, Juragati, Kayove, Munyika, Musotera, Ngarama, Nyamiyaga, Rorero.

• Zone Kiguhu igizwe n'imitumba 7: Buranga, Gasasa, Kiguhu, Mbuye, Mihama, Nyakabanda, Nyakazu.
• Zone Mpinga igizwe n'imitumba 6: Butambara, Butamya, Gihinga, Kagoma, Kibanda, Kigamba, Maganahe, Mpinga, Muganza.
• Zone Mugondo igizwe n'imitumba 8: Bayumbu, Gasenga, Gasozi, Mugondo, Ngara, Ntozi, Rasa, Rutoke.
• Zone Musongati igizwe n'imitumba 6: Buhinga, Giheta, Kamaramagambo, Nyabigozi, Nyabisindu, Runyoni.
• Zone Muzye igizwe n'imitumba 6: Buyaga, Gatonga, Murehe, Muzye, Nyembuye, Shembe.
• Zone Ngoma igizwe n'imitumba 6: Cero, Makakwe, Mungwa, Munywero, Musagara, Ngoma, Nyakibuye.




• Zone Shanga n'imitumba 8: Gisasa, Karera, Mabawe, Mbuza, Nyangazi, Nyanza, Rugunga, Shanga.

Yose hamwe ni imitumba 90 igize amazone 12 ya Komine Musongati.

*5. Komine Nyanza, umugwa mukuru wa komine ni Nyanza, igizwe n'amazone 13. Nayo ni :*

• Zone Gishiha igizwe n'imitumba 6: Jongwe, Kiyazi, Mutobo, Nyarubano, Rurambira, Rutegama.
• Zone Gitara igizwe n'imitumba 5: Bukobe, Budaketwa, Musenyi, Nyamugari, Ruvuga.
• Zone Kabonga igizwe n'imitumba 5: Gasaba, Gisenga, Kabonga, Mukerezi, Nyabigina.
• Zone Kayogoro igizwe n'imitumba 7: Bukunda, Burima, Karinzi, Kigamba, Mivo, Mubondo, Nyabitabo.
• Zone Kayove igizwe n'imitumba 6: Gahandu, Gikuzi, Matyazo, Mazuru, Murinda, Ndoba.
• Zone Kazirabageni igizwe n'imitumba 4: Buniganyi, Buheka, Kazirabageni, Kiderege.
• Zone Mabanda igizwe n'imitumba 12: Gikombe, Gikurazo, Kibimba, Mabanda, Maraa, Mutwazi, Nkondo, Kartiye Mudaturwa, Kartiye Mushasha, Kartiye Nyabusunzu, Kartiye Sagara, Kartiye Samvura.
• Zone Mpinga igizwe n'imitumba 5: Gitaba, Kagege, Kigamba, Mudende, Rubanda.
• Zone Mukubano igizwe n'imitumba 4: Kabo, Mugumure, Mukubano, Ruvumera.
• Zone Mukungu igizwe n'imitumba 4: Mukimba, Mukungu, Rimbo, Rubindi.
• Zone Muyange igizwe n'imitumba 5: Muyange, Mwimbiro, Nyabutare, Rangi, Ruvyagira.
• Zone Nyanza igizwe n'imitumba 12: Bukeye, Kabondo, Mugerama, Mvugo, Kartiye Bogorwa, Kartiye Bukeye, Kartiye Gitunda, Kartiye Isanganiro, Kartiye Kigembezi, Kartiye Ngoro, Kartiye Nyamirongo, Kartiye Swahili.
• Zone Vugizo igizwe n'imitumba 7: Higiro, Karonge, Kigombe, Mbizi, Mugu, Nyamirinzi, Rabiro.

Yose hamwe ni imitumba 69 n'amakartiye 13 bigize amazone 13 ya Komine Nyanza y'intara ya Burunga.

*6. Komine Rumonge, umugwa mukuru wa komine ni Rumonge, igizwe n'amazone 13. Nayo ni :*

• Zone Buruhukiro igizwe n'imitumba 5: Gitwe, Karagara, Muhanda, Murambi, Nyagasaka.
• Zone Burambi igizwe n'imitumba 5: Bisaka, Busaga, Gahinda, Gitaramuka, Rwaniro.
• Zone Buyengero igizwe n'imitumba 5: Kanyinya, Mabanza, Mujigo, Nkizi, Runyinya.
• Zone Gatete igizwe n'imitumba 4: Busebwa, Gatete, Mugara, Mutambara.
• Zone Kigwena igizwe n'imitumba 5: Cabara, Gashasha, Kanenge, Mayengo, Nyakuguma.
• Zone Kizuka igizwe n'imitumba 5: Gatwe, Kagongo, Kizuka, Mbanda, Mwange.
• Zone Maramvya igizwe n'imitumba 6: Busura, Gasenyi, Gishiha, Magana, Maramvya, Muzi.
• Zone Mariza igizwe n'imitumba 4: Buhinyuza, Buyenzi, Rumonyi, Rutwenzi.
• Zone Minago igizwe n'imitumba 5: Karonke, Minago, Muhuzu, Muturirwa, Rutumo.
• Zone Mudende igizwe n'imitumba 5: Gasenyi, Kinama, Kirama, Mudende, Sebeyi.
• Zone Muzenga igizwe n'imitumba 6: Banda, Gitsinda, Karambi, Nyacambuko, Nyamurunga, Rubirizi.
• Zone Rumonge igizwe n'imitumba 8: Kartiye Birimbi, Kartiye Gihwanya, Kartiye Iteba, Kartiye Kanyenkoko, Kartiye Mugomere, Kartiye Nkayamba, Kartiye Rukinga, Kartiye Swahili.
• Zone Rusabagi igizwe n'imitumba 6: Gakonko, Gatobo, Gitaba, Gitongwe, Murara, Murenge.

Yose hamwe ni imitumba 61 n'amakartiye 8 bigize Komine Rumonge y'intara ya Burunga.

***Biracaza***

***Ingingo N°1/05, yo ku wa 16 Ntwarante 2023, ishinga intara, amakomine, amazone n'imitumba canke amakartiye mashasha agiye kugira igihugu c'Uburundi, kuva mu mwaka w'2025.***

# Uburenganzira bw'abana bwo kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bwabo

Abana bose barafise uburenganzira bwo kubungabungwa mu kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bwabo. Bategerezwa kwitabwaho ata gucagura na kumwe.

Ibihugu n'imiryango bifise uruhara ntangere mu vyerekeye gukingira abana ivyo vyose vyobangamira ubuzima bwabo.

Ni yo mpamvu hashingwa imyaka abana bategerezwa gutangurirako akazi kugira ntibakoreshwe ibikorwa bibarengeye.

Ubwo burenganzira bw'abana bwo kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bwabo butegekanijwe:

* N'amategeko mpuzamakungu

* Hamwe n'amategeko y'igihugu c'Uburundi.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu yubahiriza ubwo burenganzira**

*1.1 Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu*

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 25 mu gace kayo ka kabiri, umuvyeyi n'umwana bafise uburenganzira bwo gufashwa no gukingirwa bidasanzwe.

Aka gace kabandanya kavuga ko abana bavutse ku babiranye canke kubatabiranye, bategerezwa gukingirwa ku rugero rumwe.

*1.2 Mu masezerano mpuzamakungu mu vyerekeye ubutunzi, imibano n'imico kama*

Aya masezerano arerekana ko abana bose bategerezwa gukingirwa ku rugero rumwe.

Agace ka 3 k'ingingo ya 10 kavuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano bitegerezwa gufata ingingo zose zikenewe kugira bakingire abana n'imiyabaga, ata gucagura na kumwe mu vyo kwemera canke ibindi.

Gukoresha abana ibikorwa bibangamira amagara yabo, ugukura no gutera imbere kwabo canke bishira ubuzima bwabo mu kaga bitegerezwa guhanwa n'amategeko y'ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano. Ivyo bihugu bitegerezwa gutegekanya kandi imyaka abana bategerezwa gutangurira gukora akazi. Igihe hagize uwubakoresha batarakwiza iyo myaka agategerezwa guhanwa".

*1.3 Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu kwitunganiriza ivyabo no mu vyerekeye poritike*

Aya masezerano avuga ko Reta n'imiryango bategerezwa gushira inguvu hamwe mu gukingira abana.

Ingingo ya 24 ivuga mu gace kayo ka mbere ko umwana wese, ata gucagura na kumwe haba mu vy'amoko, urukoba, igitsina, ururimi, ukwemera, amamuko, ubutunzi canke uko yavutse, arafise uburenganzira ahabwa n' umuryango hamwe n'igihugu , bwo gufatirwa ingingo zimukingira nk' umwana.

*1.4 Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana*

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 32 yayo, "ibihugu vyemeje aya masezerano biba vyemeye ko umwana ategerezwa gukingirwa kugira ntacurwe bufuni na buhoro kubera amaronko, kutazigirwako akazi kotuma agira impanuka, komutesha amashure, komwononera amagara canke kakageramira iterambere ryiwe ku mubiri, mu bwenge no mu mibano.

Ibihugu vyemeje aya masezerano birashinga amategeko, bigafata n'ingingo zose zikenewe mu vyerekeye intwaro, imibano n'indero kugira iyi ngingo ije mu ngiro.

Kugira ngo ivyo bishoboke, harisungwa n'izindi ngingo zivyerekeye ziri mu yandi masezerano mpuzamakungu. Ibihugu vyemeje aya masezerano : birashinga imyaka abana bategerezwa gukwiza kugira ngo barekurirwe gukora akazi, biraringaniza itegeko rijanye n'amasaha y'akazi n'uburyo gakorwa kandi bigategekanya ibihano bikwiye kugira ngo iyi ngingo yubahirizwe".

*1.5 Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye ingene akazi k'abana gatunganywa mu mahinguriro*

Aya masezerano arategekanya imyaka itegetswe kugira umwana arekurirwe gukora akazi.

Ingingo ya 2 ivuga ko ata mwana arekuriwe gukora mw'ihinguriro rya Reta canke ry'abigenga mu gihe atarakwiza imyaka 15 y'amavuka.

Mu ntumbero yo kubahiriza ingingo ziri muri aya masezerano, ingingo ya 4 ivuga ko umuntu wese arongoye ihinguriro ategerezwa kuba afise igitabu yandikamwo abakozi bose batarakwiza imyaka 18 hatibagiwe n'amatarike y'amavuka y'umwe umwe.

Ingingo ya 6 na yo mu gace kayo ka kabiri ivuga ko umwana atarashikana imyaka 16 adashobora gukora ibikorwa bijanye no gucukura ubutare canke ibindi bijanye navyo vyotuma ubuzima bwiwe bubangamirwa.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi yubahiriza ubwo burenganzira**

Mu Burundi, amategeko atandukanye nk'Ibwirizwa Shingiro, igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi, igitabu c'amategeko mpanavyaha,

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'abana bwo kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bwabo

(Bitangurira ku rup.10)

itegeko nshikiranganji n°630/1 ryo ku wa 5 nzero 1981 ryerekeye itunganywa ry'akazi k'abana, arakingira abana gukoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bwabo.

*2.1 Mw'Ibwirizwa Shingiro*

Nk'uko ingingo ya 44 ibivuga umwana wese afise uburenganzira bwo kubungabungwa no kworoherezwa kurusha uko abayeho mu vyerekeye amagara yiwe, umutekano wiwe, ukudafatwa bunyamaswa, ukudacurwa bufuni na buhoro canke gukoreshwa ku nguvu.

*2.2 Mu gitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi*

Ingingo y'270 ivuga ko abana batarashikana imyaka 18 badashobora gukora akazi ko mw'ijoro mu mashirahamwe ya Reta canke y'abigenga.

Ingingo y'278 na yo ivuga ko abana badashobora gukoreshwa mw'ishirahamwe iryo ari ryo ryose igihe batarakwiza imyaka 16 kiretse iyo ari ibikorwa bisanzwe bitabangamira ugukura kwabo, ukwiga amashure canke ngo bibangamire amagara yabo.

Mu ntumbero yo gukingira abana ibikorwa bibangamira ubuzima bwabo, umugenduzi w'akazi ashobora gusaba ko abana bakora akazi bakorerwa ibipimo kugira barabe ko akazi bakora kajanye n'inguvu bafise.

Uwo bigaragaye ko akazi ajejwe kamurusha inguvu, ategerezwa guhindurirwa akazi bakamuha akatabangamira amagara yiwe. Iyo atakariho, umukoresha ategerezwa guca ahagarika amasezerano y'akazi bafitaniye. Tubisanga mu ngingo y'281 ya kino gitabu c'amategeko yerekeye akazi mu Burundi.

Nk'uko ingingo ya 3 y'itegeko nshikiranganji n°630/1 ryo ku wa 5 nzero 1981 ryerekeye itunganywa ry'akazi k'abana ibivuga , umwana atarashikana imyaka 16 ntashobora gukora akazi kiretse iyo ari ibikorwa vyo ku mashure yigisha imyuga ariko naho nyene bitegerezwa kuba bijanye n'inyigisho kandi bigategerezwa gukorwa vyagenzuwe n'umuntu abifitiye ububasha n'ubumenyi.

Ingingo ya 6 na yo ivuga ko abana bafise imyaka iri hagati ya 12 na 16 bashobora gukora ibikorwa bibayabaye nko kurera abana bavukana ; gusoroma imboga canke ivyamwa ariko bigategerezwa kutarenza ibiro 15 ; kuragira ibitungwa; kudandaza ibimenyeshamakuru ariko naho nyene bitegerezwa kuba bitarenza ibiro 15 hamwe n'ibikorwa bibayabaye vyarekuwe n'abage-nduzi b'akazi.

Ingingo y'9 ivuga ko umwana atarashikana imyaka 18 adashobora gukora akazi ko mw'ijoro.

Ingingo ya 13 ivuga ko bibujijwe ko abana batarashikana imyaka 18 bakoreshwa ibikorwa bibangamira amagara yabo canke bishobora kubateza amasanganya cane cane nko kwimba ubutare, gusitura amabuye, gutwara imiduga, gukora ibikorwa bikoreshwa imisumeno, gukora amatara canke gutwara ubwato.

Ingingo ya 15 ivuga ko bibujijwe kw'abana bakoreshwa mu bunywero no mu bindi bibanza vyose binywerwamwo inzoga.

Nk'uko twabonye ko abana bafise uburenganzira bwo kudakoreshwa ibikorwa bibangamira amagara yabo kandi ubwo burenganzira bukaba butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu, uwutabwubahirije arahanwa.

Ingingo ya 541 y'igitabu c'amategeko mpanavyaha ivuga ko uwo wese yoheje umwana ngo akore ico cose kibujijwe n'amategeko, kibangamira amagara yiwe, ukubaho kwiwe canke ugukura kwiwe ahanishwa umunyororo uva ku myaka ibiri gushika ku myaka itanu n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi cumi gushika ku bihumbi mirongo ibiri.

Ingingo ya 544 ivuga ko umuntu wese akoresheje umwana ibikorwa vy'ubushurashuzi kugira aronke amahera canke ikindi kintu cose akeneye gushikako ahanishwa umunyororo uva ku myaka itanu gushika ku myaka cumi n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi mirongo ibiri gushika ku bihumbi mirongo itanu.

Ingingo ya 545 na yo ivuga ko uwo wese akoresheje umwana ibikorwa bibangamira amagara yiwe, umutekano wiwe canke ubwenge bwiwe ahanishwa umunyororo uva ku myaka itatu gushika ku myaka itanu n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi mirongo itanu gushika ku bihumbi ijana vy'amafaranga y'amarundi.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko abana bose atagucagura na kumwe bafise uburenganzira bwo kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bwabo. Ubwo burenganzira butegerezwa kwubahirizwa ku bana bose, ku rugero rumwe ata gucagura gufatiye ku kintu na kimwe.

Uwutubahirije ubwo burenganzira bw'abana arahanwa nk'uko igitabu c'amategeko mpanavyaha c'Uburundi kibitegekanya.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Ihwaniro ry'urwaruka rigira irya 37 kw'isi yose.

Kuva ku 1 gushika ku wa 6 Myandagaro 2023, i Lisbone mu gihugu ca Portugal harabereye ihwaniro rigira irya 37 ry'urwaruka kw'isi yose ku civugo :« Mariya arahaguruka agenda yihuta mu misozi». (Luk. 1, 39)

Inkuka y'imisa yuguruye iryo hwaniro ku mugoroba wu 1 Myandagaro yaherejwe na Karadinale Manuel Clemente wi Lisbone. Abamenyesha ko kwigisha inkuru nziza ari igikorwa ngombwa kandi cihuta.

Ku wa 2 Myandagaro 2023, Nyenubweranda Papa Fransisiko yafashe urugendo rugira urwa 42 inyuma y'amezi abiri gusa yari aheze bamukoze mu nda agana i Lisbone guhura n'urwaruka.

Yashitse ku kibuga c'indege i Lisbone igihe c'isaha zine za gatondo aho bamamwakiranye igishika cinshi, aca aja kubonana n'uwurongoye ico gihugu igihe c'isaha zitanu n'igice.

Inyuma yaho, yabonye n'indongozi, abari mu mashirahamwe yigenga n'abaserukira ibihugu vyabo, hanyuma aha umubona uwuserukira Reta , babonanira ku cicaro c'uwuserukira Papa muri Portugal.

Ubutumwa bw'uwo munsi yaburangirije ku gisabisho c'Ekleziya cabereye muri monasiteriyo y'i Hieronymites, ari kumwe n'Abepisikopi, abaseredoti, abadiyakoni, abihebeyimana, abaseminari n'abamenyeshamana.

Ku wa 3 Myandagaro, ubutumwa yabutanguriye ku kiganiro yagiriraniye n'urwaruka rwo kuri kaminuza y'Ekleziya Katolika yo muri Portugal. Aca aja kuramutsa urwaruka rwari mw'ikoraniro.

Ku wa 4 Myandagaro, yariregesheje urwarukwa kuva igihe c'isaha zitatu. Igihe c'isaha zitatu n'iminota 45 yahaye umubonano abaserukira abandi bakora ibikorwa vy'urukundo n'ikigongwe.

Uwo munsi aca asangira imfungurwa n'urwaruka rwari mw'ihwaniro mu kirimba c'uwumuserukira muri ico gihugu. Ubutumwa bw'uwo munsi yaburangirije ku gisabisho c'inzira y'umusalaba catanguye isaha 12 z'umugoroba.

Ku wa 5 Myandagaro Papa Fransisiko yatanguriye ubutumwa bwiwe i Fatima, aho yasangiye igisabisho c'ishapule n'urwaruka mu gasengero kubatswe aho Bikira Mariya yabonekeye, aca asenga mu gacerere.

Avuye i Fatima yahaye umubonano aba Jesuite b'i Lisbone.

Mw'ijoro basangiye igiteramo n'urwaruka ku kibanza cabereyemwo iryo hwaniro, yongera arabashikiriza ijambo.

Ku wa 6 Myandagaro Nyenubweranda Papa Fransisiko yarasangiye n'urwo rwaruka igisabisho c'inkuka ya misa.

Mu nsiguro y'ijambo ry'Imana yashimikiye ku



nyifato zitatu urwo rwaruka ruzosigarana mu buzima bwabo.

**Ubwa mbere: gusayangana.**

Ati: « Rwaruka muri iki gihe turakeneye umuco, uvyara ukwizigira kugira duhangane n'umumzimagiza uri mu buzima bwacu ugatuma twama mu ngorane zidahera.

Uwo muco ushinze imizi mu rupfu n'izuka rya Yezu Kristu. Yezu Kristu ni we muco nyawo ubonesherez a abantu bari mu muzimiza. Imana yarabonesherej e amaso yacu, ukuraba kwacu, umuzirikanyi wacu, imitima yacu , n'ivyipfuzo vyivyo dushaka kurangura, ivyo vyose tukabifashwamwo n'umuco uva ku Mana.

Igihe cose rero umuntu aretse gukora ibikorwa vy'urukundo, akaguma yiraba wenyene, wa muco uca uzima.

**Ubwa kabiri: kumviriza** .

Ku musozi umuco wagatangaza waratwikiriye abatumwa. Imana iravuga iti uyu n'umwana wanje ni mumwumvirize. Imana iraduhamagarira gutega ugutwi Yezu. Yezu avugira mw'ijambo ryiwe dusanga muri Bibiriya.

Arafise amajambo y'ubuzima budahera. Ni we aduhishuka ko Imana ari Dawe. Ukumviriza Imana bituma dufata inzira nziza idushikana ku Mana.

**Ubwa gatatu: ntugire ubwoba.**

Iryo jambo rigaruka kenshi muri Bibiriya:« Ntugire ubwoba» ni ijambo Yezu yashikirije abatumwa biwe ku musozi wa Taboro. Namwe rwaruka mwabaye mu kanyamuneza, uguhura nkuku ni akaryo ko kwinovora urukundo rw'Imana. Murafise indoto, kenshi mukagira ubwoba bwo kuzozirangura.

Mwebwe rwaruka murafise ivyipfuzo vyo guhindura isi, no gukora uko mushoboye ngo mutsimbataze amahoro n'ubutungane. Isi irabakeneye, kurya isi ikenera imvura ngo ibiterwa bimere neza. Ntimutinye.»

Tubamenyeshe ko iryo hwaniro rigira irya kane kuva Papa Francois abaye umusubirizi wa Petero mweranda.

*MSV Ndikumana Marie Goreth*